# Ukwo amatora y'ibanze ya Vermont y'umwaka 2024 azogenda.

**Amatora y'ibanze ya Vermont ategekanijwe kuwa 13 Myandagaro**. Hari uburyo bubiri bwo gutora:

1. Gutora hakiri kare biciye mu kurungika ubutumwa ku ngurukanabumenyi, canke umuntu ubwiwe, kuva kw'igenekerezo rya 29 Ruheshi gushika kw'igenekerezo rya 12 Myandagaro
2. Umuntu ubwiwe mu ku kibanza c'itora kuwa 13 Myandagaro.

Abenegihugu bose ba Leta zunz'ubumwe za Amerika bakaba baba muri Vermont kandi bashobora kuzoba bafise imyaka 18 mu gihe c'amatora bwite kuwa 5 Munyonyo 2024, bafise uburenganzira bwo kwiyandikisha kugira bashobore gutora mu matora y'ibanze.

## Iyandikwa ry'abazotora

Kugira witabire amatora y'ibanze, bisabwa ko wiyandikisha muri Vermont, ushobora kwiyandikisha no ku musi w'amatora.

Ubaye utariyandikisha hari inzira nyishi ushobora gukoresha:

- Umuntu ubwiwe, ku biro vy'ubuyobozi bw'igisagara cawe (https://bit.ly/town-clerks) mu misi yegereje amatora.
- Umuntu ubwiwe mu ku kibanza c'itora. **Ushobora kwiyandikisha ku kibanza c'itora ku musi nyene w'amatora (13 Myandagaro).**
- Ushobora kwiyandikisha biciye ku buhinga ngurukanabumenyi canke mu butumwa nk'ikete ukoresheje ifishi y'ukwiyandikisha vyose dusanga kurubuga rw'ibiro vy'umunyamabanga wa Leta (https://olvr.vermont.gov/), ariko usabwa kwiha imisi kugira iyandikwa ryawe risozerwe gukorwa mu gihe ukoresheje ubu buryo.

Nk'uko tubimenyeshwa n'ibiro vy'umunyamabanga wa Leta mw'iyandikwa ryambere bisaba ko uwiyandikisha atanga ikopi ya karangamuntu yemewe. Impapuro zemewe zigizwe n'ibikurikira:

- Ifoto ya karangamuntu yemewe (uruhusha rwo gutwara ingendeshwa canke pasiporo)
- Icemezo ca vuba c'amafaranga umuryango ukoresha uriha ivyankenerwa.
- Icemezo ca vuba c'ibanki
- Urundi rupapuro rwo mu nzego za Leta

Abazoja mu matora ya Vermont ku mwanya wambere bategerezwa kugira ico barahiye, ni inyandiko ngufi umuntu asubiramwo we ubwiwe.

## Ugutora kwa kare

Ugutora kwa kare kuzoba kuva kuwa 29 Ruheshi gushika kuwa 12 Myandagaro. Hari uburyo bwinshi bwo gusaba ikarata y'ijwi no kurungika ikarata y'ijwi ryawe.

- Gusaba ikarata y'ijwi.
    - Umuntu ubwiwe, ku biro vy'ubuyobozi bw'igisagara cawe (https://bit.ly/town-clerks), CANKE
    - Biciye ku buhinga ngurukanabumenyi ukoresheje urupapura rw'ukwiyandikisha biciye kurubuga rw'ibiro vy'umunyamabanga wa Leta (https://olvr.vermont.gov/).
- Hanyuma urungike ikarata y'ijwi ryawe:
    - Mu butumwa, CANKE
    - Urungike ku biro vy'ubuyobozi bw'igisagara cawe (https://bit.ly/town-clerks).

Amakarata y'amajwi ategerezwa kuba yakiriwe ku biro vy'ubuyobozi bw'igisagara cawe mu misi y'akazi y' imbere ya 12 Myandagaro. Mu gihe uhisemwo kurungika ikarata y'ijwi, yirungike kuwa 5 Myandagaro kugira habe indwi y'ukwo ishika.

Ku matora y'ibanze, uzohabwa ikarata y'ijwi kuri iyi migambwe mikuru mikuru: Democratic, Republican na Progressive. **Usabwa guhitamwo imwe wuzuza.** Ariko ayo makarata atatu y'ijwi – Harimwo n'abiri y'impfagusa – ategerezwa gusubizwa mw'ibahasha yabigenewe.

## Umusi w’amatora y’ibanze

Gutora ku muntu ubwiwe kw’igenekerezo rya 9 Myandagaro: Shaka ikibanza c’itora kurubuga rw'ibiro vy’umunyamabanga wa Leta (https://bit.ly/3WnXJlC). Ibibanza vy’itora vyugurura imyanya itandukanye kuva isaha 5: 00 z’ubuca gushika isaha 10:00 z’agatondo zikugara isaha 7: 00 y’ijoro.

(802) 595-9840 | voterguide@vtdigger.org | vtdigger.org | P.O. Box 1374 | Montpelier, VT 05601